**Bible lessons.** **Lesson 36. GOD FULFILLED THE DREAM OF JOSEPH**
**Genesis 41:1-14; 37-46**
**Memory verse: "But He knows the way that I take; when he has tested me, I shall come forth as gold." Job 23:10**

## IMANA ISHITSA INZOZI ZA YOSEFU, ARATABARWA

Icirwa ca 53

**Genesis 41 :1-14 ; 37-46**

Ijambo ngenderwako : « Yamara ***yo irazi inzira ncamwo, Ni yamara kumvugutira nzovamwo mmeza nk'izahabu*** » **Yob. 23:10**

**I. Intanamarara**
Yosefu, yabaye mw'ibohero arementanirijwe n'umugore wa Potifari ngo yashatse kumufata ku nguvu. Ageze mw'ibohero asaba uwo bari bafunganywe kuzomuvugira k'Umwami ariko ntiyaruha anamwibuka. Iki gice tugiye kubona ingene Imana ubwayo ariyo yamutabaye ikoreshenje ingabire yiwe y'inzozi. Ikiboneka ni uko Imana yariko iramucura kugira azovemwo izahabu y'ikimazi kuri we no ku muryango wiwe wose mu gihe kiri imbere.

**II. Indoto za Farawo.**
Imyaka ibiri yiramvuye Yosefu aboshwe, Farawo arota inzozi, yewe arabura uwozimusobanurira, ahamagaza abanyamareba bo muri Egiputa ngo bazimusigurire ariko birabananira. Muri iki gihe, aba banyamareba (magicians) bari bashoboye gusigura ikintu cose. Haba indoto canke ibiboneka ntacabananira. Umwami yaba abemera. Aha biboneka Imana ariyo yazibiye amareba bahora bakoresha ntibabona na kimwe, kuko baba bokoresha inguvu za Satani.

**III. Izina rya Yosefu rivugirwa imbere y'Umwami wa Egiputa ; Yosefu asohoka ibohero**

**Umurong. Wa** 9 « Wa mugabo bahorana mw'ibohero aravuga ngo : Uh-oh Nibutse ivyaha vyanje., ndibutse ikintu kimwe cohava kigafasha muri iki kibazo. Ohh, ca gihe twari mw'ibohero….. hari umuhungu w'umuheburayo yadusiguriye ivyo twarose,…..ivyo yatubwiye vyose vyatubayeko. »

Maze Farawo atuma guhamagara Yosefu, bamukura mw'ibohero giturumbuka, arimosha, yambara izindi mpuzu arenguka ku kirimba c'Umwami. Iyumvira

bakimuhamagara ngo aze kwa Farawo, kandi yagirijwe ko yashatse gufata kunguvu muka Potifari umusirikare mukuru, ngo Imana irakinga… Ava mw'ibohero, yinjira kuvugana n'Umwami. Uku ni ukuboko kw'Imana.

Iyi yari itariki y'intango yo kwinjira mu masezerano y'Imana kuri Yosefu. Yabaye umwizigiwa mu bihe bikomeye., none Imana iramwibutse.

**IV. Yosefu asobanura inzozi za Farawo.**

**Umur. wa 16** : « Yosefu yishura Farawo ati : ***Si jewe ndabishobora nyaguhora ku ngoma, Imana [Elohim] niyo ija kukwishura ivyo amahoro***. »

Iyi mvugo ya Yosefu iri nico yerekana :
1. Biboneka ko na bungingo ubwo, ivyizigiro vyiwe vyari ku Mana yo mw'ijuru naho ibibazo no guhemukirwa vyari vyaramusesereje.
2. Yashatse guha icubahiro Imana yo mw'Ijuru imbere ya Farawo , abanyamareba n'abaganwa biwe, na burya Egiputa cari gisanzwe ari igihugu c'abasenga ibigirwamana gusa.
3. Ingabire yo kwicisha bugufi. Yahaye ikibanza Imana yiwe. Ahandi, yari kwishira hejuru akivugira ngo : Ndabishobora. Abavugabutuma n'Abavugishwa biki gihe, bariko barimbuka kubera iyi mpwemu yo kwishira hejuru ngo barashoboye.
4. Yakoresheje imvugo ikoza isoni abanyamareba n'imana zabo imbere ya shebuja Farawo. Iki gihe, abanyamareba ntibabuze gutwengera mw'ijigo Yosefu bati : Uuhhh, ako gahungu bakuye mw'ibohero, k'inyambukira... ivyarinze bitunanira, reka gakorwe n'isoni imbere ya Farawo. Mwibuke icivuga : « Imana yarikumwe na Yosefu. »

Farawo ashirako aramubwira, nawe ntiyateba kumusigurira ivyo yarose.

**Umur. wa 33** Yosefu yerekana inyishu yikibazo ati :
Bang! Bang! Bang ! aravuga, "harakenewe:
• ubutegetsi bwiza ;
• umutekano ukwiye;
• ubuhinga bwo kuziganya umwimbu."
Birahimbaye, bisigura « Nuko rero nyaguhora ku ngoma, n'urondere umuntu w'umunyabwenge : ushireho abimburisha, bimburishe ikigira gatatu c'ivyeze mu gihugu ca Egiputa.
Ako kanya Yosefu aba abonetse nk'umunyakuri koko imbere yabene igihugu. Icubahiro aba agihawe n'Imana mu gihe gikwiye. **I Pet. 5:6** « ***Nuko mwicishe***

***bugufi muri musi y'ukuboko kw'Imana kw'uubushobozi, kugira ngo izobashire hejurumu gihe gikwiye*** »

**V. Yosefu ashirwa hejuru muri Egiputa.**

Farawo ariko aribaza ati : « Wow, ibi ndavyemeye pe kuko yasobanuye inzozi jewe nyene niroteye. Ibi ni ukuri. None ndakura hehe umuntu yoshobora guhangana n'iki kibazo akazonashobora kuronsa indrya abantu banje muri ico gihe kigiye kuza ?

Ariko kandi, uyu muhungu afise ubwenge gusumba abantu banje bose, kandi Imana yiwe isumba bino bigirwamana vya bano bapfumu » **Umurong. Wa 40 :** aramubwira icese ati **:«** *Ndaguhaye kugaba urugo rwanje, kandi abantu banje bose bazokumve ico uzovuga. Ku nganji yanje honyene niho nzogusumba. 40b…, Raba ndaguhaye kugaba igihugu cose ca Egiputa* **»** *agerako yiyambura impeta yo kukuboko kwiwe arayimwambika.* **Umur wa 42**

Iyi nkuru yaciye ikwiragira hose kurusha umuriro wo mu ci. Bati : Umunyamahanga, Yakuwe mu bushumba bwo munzu akajanwa mw'íbohero ryo mu cobo, none avuyeyo aca aba umushikirangaji wa mbere.. None yarize ? afise iyahe diplôme ? Ntibitahuritse.

Yaravuze ati : « Nta numwe ankunda, nanje ndabizi. Naha si urukundo Farawo yamukunda. Amushizeho kubera IMANA. »

**VI. Gushira mu ngiro.**
Iyumvire uko Yosefu yariko yiyumvira inyuma yamasaha make bibaye, atanguye kurira kumasahani meza, yambaye impuzu zimesuye, aho aciye bamwunamira. Iki nico gihe gikwiye ciwe, ikiboneka ni uko Yosefu ivyamubayeko vyose kwari uguhingurwa nkuko izahabu ihingurirwa mu muriro, kugira izogirire ikimazi bene yo.

Igihe c'ibibazo canke amahirwe, uhore wibuka Imana yawe kuko, ukubaho k'umuntu kuri mu biganza vyiwe. Kandi irakunda abantu bayo kuko ari Rukundo. Ushobora kuba uri mu bibazo, ukihebura, ukidodombera Imana, ivyo vyarababaje Umuremyi wawe. Uyu niwo mwanya wo kuyisaba imbabasi ukayirekurira ubuzima bwawe.